1. Kuri uno musi, Abarundi natwe twifadikanije n'amakungu mu guhimbaza Umusi Mukuru wahariwe Agateka k'Abakenyezi.
   Uretse mwebwe abakenyezi, twese ni akaryo rero ko kurabira hamwe intambwe tugezeko mu gushira mu ngiro ivyo amakungu yiyemeje mu bijanye n'uguteza imbere agateka k'umukenyezi.
   Ni n'akaryo kandi, abakenyezi baronse ko gutereza amaso inyuma, kugira barabire hamwe aho bagejeje ikivi mu ruhara rwabo mw'iterambere ry'imiryango n'iry'ibihugu vyabibarutse.

2. Twebwe hano iwacu, umukenyezi turazi ico amaze. Tuvuga ko umukenyezi ari « inarugo », bivuga « nyina w'urugo »! Umuntu aravye hirya no hino jewe ndibaza ko ata zindi ndimi kw'isi canke abandi kw'isi umukenyezi bamwita « Inarugo », ivyo ni vyo bigaragaza neza ikibanza ntangere Abarundi bahaye umukenyezi, mu mico n'akaranga vy'Uburundi.

3. Birumvikana kuko, kuva na kera na rindi, umugabo yaja guhiga no gusuma hanze, umukenyezi na we yamye ari we « atunganya ivy'urugo ». Ni we yitwararika cane ibikorwa bijanye no kurwiza umwimbu mu rugo, ariko kandi n'ukuwubungabunga. Mbere abarutse aho hambere hahise, barazi ko umugabo yitwararika canecane ibiterwa njabukamazi, umukenyezi nawe akitwararika ibiterwa mbumbarugo. Na kera ku ntwaro ya cami, umukenyezi yari afise agaciro. Ni we bashinga amabanga yo kugera n'ukugeranura ibitunganyakirimba, ari we bita « Nyangemanya », mu bazungu na ho bamwita « Intendant ».

4. Mu mico y'Abarundi, baremera ko umukenyezi afise amagara make, akwiye gukingirwa. Mbere umwigeme baramukingira ngo ntihagire umuhungu amutwaza inda y'igitwarire, ari na co gituma batamureka ngo aje kuyerera iyo abavyeyi badashobora kumucungera. Ariko uno musi mu bihe tugezemwo, iyo umuvyeyi afitiye impuhwe umwigeme, akamubuza kuyerera, basigaye baca bavyita yuko yamubujije umwidegemvyo. Twovuga ko mu gihugu cacu, igihe mu bindi bihugu abakenyezi bafatwa nk'igikoresho, mu Burundi umukenyezi yari afise ico amaze kandi barakimwubahira.

5. Abantu botahura ko ivyo abakenyezi bo muri Amerika, bo mu Burusiya canke i Buraya biyerekana basaba, mbere vyanatumye hashingwa iri genekerezo, ivyo basaba biratandukanye n'uko Abarundikazi bari babayeho. Mu bisanzwe, muri ivyo bihugu, abakenyezi ntibari bafise uburenganzira bwo gutora indongozi, mu gihe aha iwacu abakenyezi b'abakirizi ari bo bonyene bagena umwana azoba Umwami! kuko ni bo bavuga ko yavukanye imbuto. Bisubiye, mu Burundi umwamikazi yari afise ijambo rihambaye i Bwami. Twofatira ku karorero k'umwamikazi Ririkumutima yarongoye igihugu mu kurindira ko umwana yagenwe kuba Umwami akura.

6. Ni mwaba mwarabikurikiranye neza, n'iyo umugabo bamwatiye, umukenyezi wiwe na we nyene yaca aba umunyakirago. Ngira ngo n'ubu murabibona, hamwe hamwe mpora ndaba iyo umupasitori yatiwe, n'umukenyezi wiwe aca yicara imbere, ndetse mukurikiranye neza no mu ma paruwase katorika, ababikira bafise uruhara rukomeye mu buzima bw'iparuwase. Ivyo vyose murabibona ariko nta na hamwe vyanditse, kuko biri mu karangamutima kamye kagenga Abarundi.

7. Kugira twese twemere ko umukenyezi afise agaciro, si uko turinda kubiririmba, ukuri kurivuga. Hariho imigani twabonye itera umujinya mu bakenyezi, bigatuma batangura kubona ko basuzuguritse ariko atari ko biri. Nk'akarorero mu kirundi bavuga ngo: « Nta nkokokazi ibika, isake ariho iri ». None ga yemwe mwarigeze mubona inkokokazi ibika? Ariko iyo bavuze ngo nta nkokokazi ibika isake ariho iri umenga baba bavuzeko iyo nkoko bayirenganije yarikwiye kubika; nta nkokokazi ibika mu bisanzwe naho umugabo atohaba nta nkokokazi ibika!

8. Ivyo rero tubishire mu bikorwa vya misi yose kugira ngo abakenyezi babone ko badakumiriwe. Dushake turabe abantu bamaze urubanza urwo ari rwo rwose, ivy'ar'ivyo vyose ijambo ntirivugwa na bose. Umukuru w'intumwa ni we afata ijambo. Kandi uwo afata ijambo ashobora kuba atari we afise igihagararo gikomeye kurusha abandi canke ushobora gusanga ari nta ntege. Ariko uwuba ari ikigatanya ntaca avuga ngo ntegerezwa kurivuga kubera ari jewe ndi ikigatanya nawe uri nta ntege. No mu rugo, ni ko kw'uko nyene, hariho uwururamutswa, ni we avuga ijambo. Ndetse turamaze kubibona iyo umugore aruramutswa ni we avuga ijambo ry'urubanza kiretse ari we yishakiye kurituma uwundi.

9. Ku musi nk'uyu rero, nama numviriza ivyiyumviro vy'abakenyezi, ndetse nararonse n'umwanya wo kuganira n'aba bakenyezi babaserukira mw'ihuriro ry'abakenyezi kugira ngo twumve kumwe ibibazo bihanze abakanyezi. Nasanze ibibazo vyinshi bishikirizwa ari ibibazo bifise imizi muri iki gihe turiko turavukanisha ukuntu Abarundi bari babayeho aho hambere n'ukuntu babayeho mu bihe vya none. Iyo rero uriko uvukanisha ibihe bibiri umwe wese arabona agahaze. Kenshi turavye mu bihe tugezemwo ivyo bibazo

vy'abakenyezi ahanini bituruka ku gatima ko gutitura imico n'imigenzo y'Abarundi bitewe nuko imico mvamakungu yadusatiriye ikatwinjiramwo kuva mu gihe c'abakoroni. Hariho vyinshi vyatitutse mu mico n'akaranga vy'Abarundi. Kubera ivyo, Abarundi muri rusangi bahavuye batangura kwikunda, mbere n'uburyarya buraza n'ubwiyorobetsi baba ba satuntutwanje, bacambirwa ibivamahanga, bibagira ko ingeso y'urugo itubaka urundi.

10. Ivyo murabibona na mwebwe. Nk'akarorero, Ububiligi bwaje kuganza Uburundi, iwabo bwari ubwami bugizwe n'ubwoko bubiri, Abawalo n'Abafurama. Abategetsi babwo bamaze kwiganza mu Burundi, baca babona ko vyoba vyiza Abarundi na bo babaye nka bo; bakagira Ubwami bushingiye ku bwoko bubiri, Abahutu n'Abatutsi. Ngira ngo murabona ko abatwa bobo bari baribagiwe burundu. Kubera umukenyezi w'i Burayi yambara ngufi, umukenyezi w'i Burundi yambaye impuzu ngufi ni ho yumva ko asirimutse, akabona ko ari ryo terambere. Ariko mukurikiranye Abarundi baca bamwita imalaya (kivuye mwijambo "Mama wa ulaya"). Abantu benshi ntibari bazi ico ari co « Imaraya ». Uno musi uvuze ngo abakenyezi bambare bikwije baca bavuga ko uwubivuze atarerevuka, ngo ntaratera imbere.

11. Turavye ivyipfuzo vyinshi vy'abakenyezi, bifatiye kw'itunganywa ry'intwaro y'igihugu hamwe n'ubuzima bw'umuryango. Mu bijanye n'ubuzima bw'igihugu, ubu abakenyezi baramaze kwerekana ko bashoboye ivyo abagabo na bo bashoboye. Ariko hari aho bibagira ko umuntu arimwo babiri, hariho umuntu bumba n'umuntu bwenge; abo bose bagakoranira muri iyo saho y'imbumbano. Tuvyihweje neza, ubuzima bw'umugabo ntibungana n'ubuzima bw'umukenyezi. Ku bwanje umukenyezi ari mu butinyanka sinomutuma ku rugamba

aho azomara indwi atiyuhagiye. Ariko umugabo ntikibuza ko ndamutuma akamara indwi atiyuhagiye. Umukenyezi yibungenze canke yibarutse ategerezwa kuruhurirwa ibikorwa, ariko umugabo n'iyo umukenyezi wiwe yibarutse bamuhaye imisi mikeyi, si iyo kuruhuka, iba ari iyo gufasha umukenyezi ari mu bwiba.

12. Ariko ku bikorwa nyabwonko, ntakabuza ko umukenyezi ashobora no kurusha umugabo ubukerebutsi, canke bakanganya kurya n'abagabo nyene banganya canke bakarushanya. No ku bakenyezi niko kw'uko. Mu bikorwa nta bwonko abakenyezi n'abagabo ni bamwe. Ni co gituma niyo bariko baravuga ngo agateka ka zina muntu muri zirya ndimi muzobona bandika « homme » bakandika « h » nkuru kugira ngo berekane ko umuntu ari umuntu bwenge. Abantu rero barangana mu muntu bwenge ariko iyo hageze mu vyo amagara umukenyezi namwe murumvako hariho ivyo utegezwa kumwihanganirako. Mbere abakera barabivuze bavuzeko ko ari co gituma umukenyezi ataja ku rugamba, kubera wasanga hariho ivyo bijanye n'amagara yiwe wasanga bitomukundira. Ni co gituma rero uwo muntu yitwa nyabwonko, umuntu bwenge ategerezwa kwubahirizwa kumwe n'umugabo.

13. Umukenyezi n'umugabo rero barangana mu bijanye n'ubwenge. Ivyo n'ibiraba igihugu. Kandi iyo tuvuze ngo agateka k'umukenyezi, abantu ni babe babitegera neza. Mutegere neza ko amategeko ajanye n'agateka k'umukenyezi yubahirizwa n'inzego z'igihugu. Ivyo mpora ndabibwira n'abatwara amashirahamwe y'agateka ka zina muntu, bazi yuko umuntu akubise uwundi baca bavuga ngo agateka ka zina muntu kahungabanye. Agateka ka zina muntu kubahirizwa n'inzego z'igihugu. Iyo umuntu akubise uwundi aba akoze icaha kiri mu gitabo mpanavyaha, ni criminalité! Ivyo bita Droits de l'homme

ni Reta ijejwe gukingira abenegihugu ikaba ijejwe kandi no gufata inkozi z'ikibi ikazihana.

14. Iyo rero hari umugabo akubise umukenyezi aba ari inkozi y'ikibi akoze icaha ategerezwa kugihanirwa. Twovuga yuko agateka k'umukenyezi katubahirijwe mu gihe bahohotera umukenyezi, hanyuma ubutegetsi bw'igihugu ntihagire ico bubivugako! Nayo ahandi ivyaha kuri ino si mumenye ko satani yahatse indaro, abasoma bibiriya neza murazi ko shetani yiyita umwami w'ino si! Ahari rero shetani hama hari ubukozi bw'ikibi!

15. Mu bijanye n'imiryango na ho, tumenye ko umuryango ari igisata gikomeye mu gihugu. Ni co gituma igihugu gitegerezwa kuyikingira. Ni co gituma twese turazi ko urugo ari urwo umugabo n'umugore, kandi bategerezwa kwubaka rukaguma bashize hamwe. Mu ngingo ya 30 y'ibwirizwa nshingiro rya Repubulika y'Uburundi, mu gace karyo ka kabiri, abavyeyi bategerezwa gutunga no kurera abana babo gushika bashike mu bigero. Ico gikorwa gihamagarirwa abavyeyi bose: umugabo n'umugore.

16. Ariko turabe neza, indero y'umwana iva hasi kandi umwana avuga ururimi yonse. Jewe ndemeza ko ku bibero vya nyina ariho umwana yigira vyinshi kuko muze murabe neza umwana yonka araba nyina mu maso. Nyina akazoba umunyamujinya n'umwana azokura adatwenga! Vyumvikana ko hariho indero ikomeye akura kuri nyina kurusha kuri se wiwe. Ni co gituma rero umukenyezi yonsa afise uburenganzira bw'amasaha yo kuja kwonsa umwana. Ariko umugabo ntibavuga ngo aheruka kuvyara ngo baramuha amasaha yo kuruhuka.

17. Ubu rero turabona ko hari abakenyezi bataye iryo banga ryo kurera. Uri abanigira abana mu nda, uri ababata mw'iyarara canke mw'ibarabara, n'ababatana ba se. Hariho uburenganzira umukenyezi afise, ariko hariho n'iteka ategerezwa kwama atengatiye. Ni vyo urugo rugira babiri, ariko umwe wese arafise ivyo ategerezwa. Nawe nu, ntibikwiye ko umugabo ari we yigisha umukobwa wiwe ingene yokwifata mu gihe ageze mu bigero; iryo banga uwurizi ni nyina. Ni na we azi ururimi abivugamwo. Umwana w'umwigeme yifashe nabi ntibaza kuvuga ngo se ni we ataco yakoze, bavugako nyina ataco yakoze! None uwo mukenyezi yoca avuga ngo umugabo amutanye ikivi co kwigisha uwo mwigeme bibarutse?

    Ni vyo, abakenyezi mu rugo mwikoreye vyinshi, ariko hari ivyo mudashobora kudohokako, dufatiye ku mico n'imigenzo y'ikirundi. Ariko kubera ibihe biha ibindi, tukaba twarinjiranywe n'imigenzo y'ahandi, birakwiye ko muri iki gihe twosubira kw'ido n'ido tugatomora neza ingene twokwifata muri iyi misi tugezemwo.

18. Ego ni vyo, ivyo abakenyezi basaba, vyinshi bijanye no guhinduka tujanye n'ibihe tugezemwo. Ariko kujana n'ibihe ntibisigura guta ubwoko canke guta imico n'akaranga. Nihaba mu mico yacu twavuga ko umuhungu ari igikingi c'irembo umukobwa na we ari akarago k'abaraye, canke ngo umuhungu ni nyamuhora iwabo, umukobwa na we nyamuhora impinga, n'uno musi ntidushobora kubuza ko umukobwa aja kwabirwa ahandi. Kandi aho yubatse ni ho iwabo mu migenzo y'ikirundi. N'aho yoba yapfakaye, haguma ari iwabo kuko indagano zo kwabirana mu Burundi ni urunywano hagati y'umugabo n'umugore, abavyeyi b'abo bana bose bakitana bamwana.

19. Ni co mbere catumye umukobwa bamuha igiseke kugira azogume afise ikimushika ngo agaruke iwabo kuramukanya, ngo ntahahebe agahenebere. Ariko naho umuhungu ari nyamuhora iwabo, ubu na we nyene araja gupagasa agaherayo canke akaja gushinga umuryango ahandi atari kw'itongo ry'umuryango. Ariko ikidahinduka muri kamere k'Abarundi, ni uko umwana atorana ubwoko bwa se. Mu Burundi umwana atorana ubwoko bwa se, ariko hariho ibindi bihugu umwana atorana ubwoko bwa nyina. Murumva ko umwe wese afise akarangamutima kiwe!

20. Ni nk'uko ubu ata Murundi n'umwe ashobora gufatwa nk'umuja canke umushumba. Umurundi wese ategerezwa kuronka aho aba. Ni co gituma umukobwa atagiye kwabirwa adashobora gufatwa nka wa mukobwa wa kera, yagwa mu gahundwe. Ubu umukobwa na we yagumye iwabo birumvikana ko ko ari umwana mu muryango.

    Kira noneho, muri iki gihe birasanzwe kuko igitigiri c'abakobwa mu gihugu kiruta ic'abahungu, dufatiye ku biharuro vya rusansuma iheruka mu mwaka w'2024. Ivyo rero bituma dutegerezwa kumenya ko umukobwa ashobora na we kuba nyamuhora iwabo, kuko mu Burundi amategeko abwiriza ko umugabo yubakana n'umugore umwe.

21. Ikindi cibonekeza ni ingene igihugu cokwifata ku bana batabwa mu mabarabara batagira abavyeyi, hamwe rero n'abigeme batwara inda z'indaro, bakanka kuvuga se w'umwana.

    Ikizira kikaziririzwa ni uko haba umwana atagira se yamuvyaye, kuko umwana wese ategerezwa gutorana kwa se. Ni igitutsi gikomeye kuvuga ko umwana w'ikinyendaro bomwandika kuri sekuru, kuko ntaho bitaniye n'uko uwo mugabo yavyaye ku mukobwa wiwe kandi ari indahiro. Ni mwiyumvire namwe bagiye

kuvugira injiri umukobwa kw'i paruwase bakavuga bati: « Nasitaziya mwene Gahungu wo ku mutumba munaka » mugasanga uwo Nasitaziya mwene Gahungu ni umwuzukuru k'umukobwa wiwe! Biba bisigura ko uwo mugabo yarongoye umukobwa wiwe aramuvyarako! Ni mwumve iryo bara namwe! Ni co gituma umwana ategezwa kumenya se! Ni itegeko! Kera abakenyezi baho ha mbere, abakirizi igihe umwana w'umwigeme yatwaye ishushu ntibashobora kumwakira batamubwiye ngo avuge se w'umwana! Ntimugire ngo bwari ububisha, ngo ntibubahiriza agateka k'umwana. Kwari ukugira umwana amenye aho azotorana, bamenye se ni nde, azotorana kwa nde. Mugabo ubu uciye uvuga ngo mwandike kuri sekuru ni nk'uko uvuze ko uwo mukobwa yavyaye kuri se wiwe. Woca uba umuvumo!

**Banyakwubahwa mwese mukoraniye ngaha;**

22. Murumva ko ibigeze mu bihe turimwo ari vyinshi. Ni ukuvuga ko turi mu bihe vyo kwisuganya neza, tukabitunganya tudataye imico n'akaranga. Mbere n'imigenzo itari yanditse birakwiye ko tuyishira mu nyandiko z'amategeko. Erega aho hambere, haba mu bijanye n'intwaro, ubutunzi n'imibano, igihugu catunganywa hakurikijwe imico n'imigenzo vyaranga Abarundi. Ariko uno musi dufise ibwirizwa nshingiro, amabwiriza n'amategeko vyanditse. Ibitarandikwa rero ni vyo bidutera ubuyega, kuko tutabikora kumwe mu ntara zitandukanye canke ku bantu batandukanye. Ako ni akarorero niboneye jewe nyene igihe twariko turashira mu ngiro imanza. Narabajije ikibazo kijanye n'igiseke. Ugasanga igiseke bagisigura mu ntara uku mu yindi ntara bagisigura uku. Naratevye ndababaza nti: None mumenya ico kivi c'igiseke kingana gute? Ngo

biva ku kungene itongo riba ringana. Mugabo ukabonako n'abakenyezi babitegera.

23. Ni co gituma nk'iki kibazo kijanye no gutorana gikwiye kwandikwa neza mu mategeko y'Uburundi. Muri rya bwirizwa rigenga ingo n'imiryango, birakwiye ko risubirwamwo tuza tiravuga ikibazo kimwe ku kindi. Nk'ubu bakavuga bati: Mbega umukobwa yagiye ku mugabo bigenda gute? Uwagumye iwabo na we bigenda gute? Mbega umugabo n'umugore bahukanye bigenda gute ko baba barabaye umwe? Ni mwaba mubizi mu Burundi igihe mugiye kuragana kw'ikomine muhejeje kuragana bisigura ko muba muhejeje kuvanga ivyo mutunze vyose. Muba mubisangiye. Ni co gituma nabajije nti: Mbega ko muba muhejeje kubisangira iyo mur'iryo joro umuhungu aciye apfa canke hapfuye umukenyezi mbega umugabo wiwe azoja gutorana iwabo ko bari bamaze gusangira ivyo batunze?

24. Ivyo ni ibibazo dutegerezwa kwandika mu mategeko, nkaba nsavye mwebwe abize ivyo amategeko na canecane mwebwe muri mu bushikiranganji bw'ubutungane ko mwoterera mur'ico kibazo; hariho ibintu biri mu mico dukwiye kwandika kugira ngo tuvyumve kumwe. Ni ho tuzoronka n'akaryo k'ingene dushobora kubihanahanako ivyiyumviro tudaca hirya no hino. Ivyo ndabivuze kuko tumaze kubona n'abikika mu kiza kugira ngo barenganye uyu canke uriya kubera ataho vyanditse.

25. Ku vyerekeye itunganywa ry'urugo nyene, aho hambere murabona ko umugabo ni we yaja kurondera ibitunga umuryango, bikanashika akihereza impinga agiye gupagasa kugira ngo atunge urugo rwiwe. Ico gihe, umukenyezi ni we yabazwa ivyo mu rugo, akabitunganya

neza, abana akababaha indero, akababakundisha ibikorwa, umunega wiwe yahinguka agasanga urugo rurahimbaye uwo mukenyezi akaba yarerekanye ubutwari bwiwe akaba inarugo koko. Ni co gituma bavuga bati: « ***Uwukurushije umugore akurusha urugo*** », kandi ngo: « ***Umuhushatunga ahusha umugore*** ».

26. Rero ubu ivyari i Magera vyarageruye; ubu umugore n'umugabo baronderera bose hamwe ibitunga urugo; umwe agaca aha uwundi agaca hirya. Kwiruka bose kurondera igitunga umuryango si bibi, igikenewe n'uko bobikora basenyera ku mugozi umwe; kugira ngo uko gusumira urugo mu runani ntibihave bihungabanya umuryango, ivyo vyose bategerezwa kubikora mu mwumvikano kandi bafise n'intumbero y'ico bashaka gushikako, ku neza y'umuryango n'igihugu, kuko umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi twama tuvuga, umuryango woronka uwo mwidegemvyo mu gihe bose bakoreye hamwe bagasenyera ku mugozi umwe.

27. Itunga ry'umuryango, ntiryigeze ryiharizwa n'umuntu umwe kuva kera na rindi. No mu bihe vya none rero, birabereye ko twovyumva kumwe ko itunga ry'umuryango ritiharizwa n'umuntu umwe. Ntibikwiye ko umugabo avyuka mu gitondo ngo nshaka kugurisha inka canke itongo atagishije inama umukenyezi wiwe ngo bumvikane igituma bogurisha iryo tongo canke iyo nka. Vyose bari gutegerezwa kuvyumvikana ku neza y'umuryango. Kuko mu gihe bamaze kwunga ubumwe, bategerezwa no gusenyera ku mugozi umwe, bakumva ko ari babiri ariko bagize umwe, bagona rimwe, kurya kw'inkingi z'inzu! Baca umugani mu kirundi ngo: « Inkingi imwe ntigira inzu ».

Umugabo n'umukenyezi wiwe, bompi botegerezwa kumenya ko kuva umusi barushinga imbere y'amategeko, babaye umwe, ata

kwaha, ata mbavu kandi ko basangiye vyose. Bishitse bakarusambura, amategeko ategerezwa kubereka ingene batandukanya ivyo batunze n’ingene babigabura.

28. Kera umugabo ni we yabazwa ibigoye mu rugo, umukenyezi na we agatunganya ivy’urugo. None ko umukenyezi na we ubu yemeye kubazwa ibigoye ni amahirwe ku mugabo, ahubwo aka kari akanya ko twebwe abagabo tumukeza umukenyezi ko na we yemeye kwikorera uwo mutwaro wo kurondera ibitunga urugo twongere tumutere intege. Ariko umukenyezi ntabikore kugira ngo bangane n’umugabo mu rugo, kuko nta kintu kigira imitwe ibiri, kiba kibaye igihume.

29. Umugabo n’umugore barangana ku gateka k’ubuntu bwabo ariko bakamenya ko imisi yose hama agakuru ka bintu. Kanatsinda n’igihe Imana yarema umugabo, yaravyihweje ivuga iti: « Si vyiza ko umuntu aguma ari wenyene, ngira ndamugiririre umufasha bakwiranye ». Aka kantu turakwiye kukagenderako: Umufasha bakwiranye. Akaranga n’akabanga vy’umukenyezi, umukenyezi ategerezwa kwama abigendera no mu gihe yoba ajejwe amabanga ahambaye mu gihugu; ntiyoca abona ko ari ku rugero ruri hejuru mu mabanga y’igihugu ngo ace arengera umunega wiwe ngo ni kubera ivyo vyicaro bikomeye yaronse.

**Bakenyezi mwese,**

**Batumire bahire,**

30. Ko duhejeje kuvuga ubuzima bw’umukenyezi mu gihugu no mu muryango, reka turabe iterambere na ryo mu miryango no mu gihugu. Ko umukenyezi yagiye ku kivi, yarabaye koko inkingi y’iterambere.

Ni co gituma icivugo c'uyu mwaka kiduhamagarira gushigikira umukenyezi mu migambi igana ku mbonakazoza.

« ***Umukenyezi ni we nkingi y'iterambere, tumushigikire mu migambi igana ku Mbonakazoza*** *».* Iki civugo kirahambaye cane muri kino kiringo dusaba Umurundi wese kugira ico akoze kugira ngo Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere.

Ni na co gituma ari ngombwa gushigikira imigambi y'abakenyezi, na canecane mu vyo batishoboreye bonyene, kugira ngo uruhara rwabo rwerekeza ku Mbonakazoza y'igihugu cacu rwibonekeze gusumba.

31. Turipfuza neza ko iterambere ry'igihugu rihera mu rugo, nakare ngo "***Izija kurisha zihera ku nama"***. Hanyuma, ntiwovuga igihugu utavuze ko umunyagihugu wese arya akaryama, atunga agatunganirwa mu vyiwe no mu biwe. Twipfuza ko umuryango wose uronka aho uba hashemeye, ugafungura neza, benewo bakagira amagara meza, abana bakigishwa indero yo haziko no mu mashure.

32. Iryo terambere twipfuza tworyubakira ku mico n'imigenzo yacu, umuryango ukaba iyogi rimurikira ikibano, ivyamwa vyawo bikagirira akamaro igihugu cose. Umubano mwiza w'abubatse utuma ivy'urugo bitungana, abana bagakurira ahantu hari ubuntu, harangwa iteka n'itekane. Mu gihe rero abubatse bashize hamwe imitima n'ubutunzi bw'umuryango, nta nkeka ko vyotuma batera imbere, bagateza imbere n'igihugu.

33. Birantangaza iyo numvise umukenyezi ava mu rugo rwifashe, agira umugambi w'iterambere, hanyuma yagenda kurondera ingurane agasanga nta ngwati afise, kandi mu muryango bafise ivyo bogwatiriza. Umugabo namenye ko umugambi w'umugore ari uw'umuryango nk'uko umugambi w'umugabo ari uw'umuryango.

Ingwati rero bose boyisangira, ahubwo umugabo akumva ko ari amahirwe kuronka umukenyezi w'inkerebutsi azi kurondera, kuko kera ntivyari uko; umukenyezi wamubaza ivyo mu nzu gusa. Ariko ubu yarasohotse, arasohora amaboko.

34. Nitumufate mu mugongo rero kugira izo ngoga ziwe ntizibe impfagusa. Erega biranakenewe ko n'abakenyezi ndetse na bo nyene baravyivugira; ntibinezereye na gatoyi ko umukenyezi aja gusaba umugabo utuntu duto duto na canecane tujanye n'amabanga yiwe. Arakwiye kuba afise amikoro kugira ngo ashobore kurondera utwo tuntu atarinze gusaba uruhusha canke atarinze gusaba umugabo. Ni co gituma abagabo bovyumva ko umukenyezi ategezwa kuba afise amikoro nawe kugira ngo ashobore kwikorera utujanye n'ibanga ryiwe.

35. Nagira nsabe mwebwe bene amabanki, na canecane ibanki y'abakenyezi, igihe mutarashiraho ibisata bishikira abenegihugu iyo baba, ni mwige ingene mwoza murapfunyira urugendo abakenyezi babitura.

a) **Ubwa mbere**, mubasange mwebwe nyene ku kivi, ni na ho muzokwibonera ivyo bashaka gukoresha ingurane bariko barabasaba. Nama ndabivuga n'ubu ndabisubiramwo bene amabanki umenga ntibaramenya ico bajejwe. Bajejwe kudandaza amahera. Umudandaza araja kurondera abaguzi iyo bari. Umuntu agusavye ingurane si umusezi ahubwo ni umwami kuko ni umu client. Ama banki rero mwumve ko mutegezwa gusanga iyo ababaronderako ingurane bari kugira ngo mwuveko umugambi bafise ari umugambi wunguka koko mubahe n'impanuro mubibona.

b) **Ubwa kabiri,** mwebwe bene amabanki ni mugende mwigishe gutunganya imigambi irashe, imigambi yunguka. Ariko urasanga hari amabanki ashiburira kure imigambi ngo uwo mugambi ntutomoye subiza inyuma, aho kumuha impanuro kugira ngo na we uronke isoko yayo mahera yawe. Ni babikora uko, bazokora bunguka hanyuma babasubize umutahe mwabahaye n'inyungu yawo, na bo nyene biteze imbere.

36. Aha mpanuye canecane iyi banki y'abakenyezi kuko no muri banki y'urwaruka ico kibazo barakimbwiye bampaye akarorero k'urwaruka ruva mu Cankuzo bakaja i Gitega gusaba ingurane baharuye itike akoresha n'ivyo afungura mu nzira, akangenda agashikiriza umugambi hama agataha hanyuma akazogaruka kwishuza bagaca bamubwira ngo uwo mugambi wawe twasanze atari mwiza wusubiremwo. Agasubira inyuma ku wusubiramwo, agasubira akagaruka. Twasanze nimba yarashaka kurondera ingurane y'imiriyoni zitanu hazogera ko bamuha iyo ngurane amaze kuryamwo imiriyoni zitatu! None mwumva iyo banki yoba imumariye iki? Ni co gituma rero ibanki y'abakenyezi muvyumve mubasange iyo bari ntibarinde gutama, kuko ni mwe mujejwe kudandaza amahera yanyu. Ico mpanura mwebwe abakenyezi, ni uko imigambi yanyu yose yoshimikira ahanini ku kugwiza umwimbu.

37. Kudandaza ivyo utimbuye canke kwiririwa uteze amaso abaza kugusaba ico ubakorera, ntivyunguka ico bita service ntivyunguka. Twebwe Abarundi twaribagiye ikizana iterambere, mu bisanzwe abatwigishije igifaransa bari guca batwigisha vyose. Bavuga ngo secteur primaire, secteur secondaire, na secteur tertiaire. Abarundi rero baciye batwigisha gusimbira kuri secteur tertiaire. Ni nk'uko

baba bakubwiye gusimbira kuri kaminuza utigeze wiga ishure rito rito, utigeze wiga gusoma no kwandika. Twebwe rero ni dusubire inyuma kw'itsitso duhere ku muzi dutangure ibikorwa birwiza umwimbu, kuko tugasimbira kuri biriya bikorwa, ivyo turindira abandi ivyo mubikora mwaramaze kuronka amahera. Uno musi urashobora kwirirwa wicaye urindiriye uwuza kugutuma ico womukorera ukamubura kuko nta mahera afise.

38. Tubanze rero twebwe dukore ibirwiza umwimbu hama twiteze imbere. Ivyo ndabivuze kuko, abamaze kuja mu burimyi n'ubworozi barabizi, nasanze ata hantu harusha inyungu muri ico gisata. Kera umurimyi yitwa nyarucari, kuko bari baraduhenze ngo tuje mur'irya kaminuza tutazi gusoma n'ukwandika, uno musi umurimyi ubu yatanguye kuba umukire umwe na we yari umukire atanguye kuba nyarucari. Abagiye mu burimyi barabizi, nanje ndabizi kuko uwo mwuga ndawurimwo. Dutangure rero gukora ibikorwa vyo kurwiza umwimbu.

**Banyakwubahwa mwese,**

**Batumire bahire**

39. Ubu ngaha mwese ni mwebwe mubarirwa, ngira ndabe mwese ata n'umwe nkuyemwo, mbwire abakenyezi n'abagabo bose bari ngaha. Uwu mwaka twawitiriye « ***umwaka w'umunyamwete*** », aho dusaba Umurundi wese kugira ico akoze kugira ngo Uburundi bushike kw'ihangiro, ari yo Mbonakazoza ya 2040 na 2060. Dukeneye imiryango yifashe, dukeneye imiryango iteye imbere.
Ivyo twihweje mur'iyo nzira twasanze ata mvo n'imwe yotubuza kubishikako, kuko nibaza ko ata muntu n'umwe atipfuza iterambere. Tubishire ku muzirikanyi, dukure amaboko mu mpuzu, dukore dufise iyo twerekeza kandi twihate gushika tuhageze.

Abafise inguvu ni bakwege ba nyantege nke, kugira ntihagire uwusigara inyuma.

40. Nk'uko nama nabivuze, sinzongere kubona hari abagabo birirwa bicaye ku mabaramiro canke mu bunywero! Abakenyezi babivuze ko hariho abagabo batana ibikorwa abakenyezi babo, ariko bataha bakaza kubaza ngo wahishije? Abo bareze amaboko ni bashigikire umukenyezi mu bikorwa baba bamutanye. Ni bata agati, bakanka gukora mu miryango yabo ngo batezurire canke baterere agacumu k'ubumwe abakenyezi babo, dutegerezwa kubaha ibikorwa vy'iterambere rusangi ku nguvu !

41. Mperutse kubivuga aho nari nagendeye Komine Nyabikere mu ntara ya Karusi kw'itariki ya 6 nzero uno mwaka : Abasitanteri bose nibategekanye imirima canke ibindi bikorwa, maze abo bazofata ku mabaramiro babajane kubaramira muri iyo mirima babaramireyo, canke muri iyo yindi mirimo, gurtyo umwimbu uzovamwo uzoze urasahiririza komine mu mfashanyo za ba ntahonikora, canke mu biza biduteza inzara. Iki gikorwa twaragitanguye hariho aho ba buramatari babitanguye. Mu gisagara ca Bujumbura twarigeze gufata abo birirwa ku mabaramiro tubajana kwubaka stade, bakiririrwa kw'i béton bakumviriza. Haheze imisi mikeya ama rigala yaciye agabanuka! Na mwebwe rero mu makomine abo bagabo birirwa bicaye bafate mubajane mubakoreshe, nibabona bakoze imisi ibiri badahembwa bazoheza baje gukora iwabo.

42. Ndasavye abantu bose bafise ico bofasha mw'iterambere ry'umukenyezi ngo bahaguruke, bakore tubibone. Ndasaba abagabo bashigikire abakenyezi babo mu bijanye n'iterambere, ntibababere intambamyi. Abandi nsaba kuba hafi y'abakenyezi, ni nk'abafundi b'indimo, abatwara amabanki n'amashirahamwe atanga ingurane

ntonto, amashirahamwe ashigikira imigambi y’iterambere, amashure, amashengero, eka n’indongozi ku nzego zose. Na mwebwe Abamenyeshamakuru mudasigaye inyuma ndabasaba kwigisha no guhimiriza abakenyezi kwiteza imbere!

43. Nakengurutse cane ko abakenyezi badomyeko urutoke amashirahamwe mpuzamakungu turamaze kubibona aragira nkunzi, aragira umwana n’ikinono ; agafasha bariya ntafashe bariya. None rero n’amashirahamwe mpuzamakungu turabasavye mu gutanga izo mfashanyo bace mwihuriro ry’abakenyezi, kuko bobo barazi koko abakeneye ko baterwa intege. Mugabo ibi muza muravuga ngo duha bariya ni ho hari umugenzi wanje, ivyo tuvavanure na vyo kuko abarenganijwe ivyo babituka inzego z’igihugu. Tuje inama rero nsabe ayo mashirahamwe mpuzamakungu, amashirahamwe y’abikorera ivyabo ama ONG, aje mwihuriro ry’abakenyezi kugira ngo bumvikane ababereye kuronka izo mfashanyo mw’iterambere.

44. Ku vyerekeye Reta y’Uburundi, mu gukingira inzira idushikana kuri ya Mbonakazoza 2040-2060, twipfuza ko Abarundi bose, n’abakenyezi badasigaye inyuma, babona akamaro ko gutegura no kurangura imigambi y’iterambere ata nkomanzi, ata nzitizi.

45. Twebwe tuzobandanya kandi kubungabunga amahoro n’umutekano ku kiguzi ico ari co cose. Kandi tuzobandanya gukingira agateka k’abakenyezi kugira ngo uwugahungabanije wese afatwe ahanwe kugira ngo turandurane n’imizi abitwaje igikenye bagahohotera abandi! Ni co gituma nteye akamo Abarundi bose ngo aho bari hose bakore bagavye kuko abanyeshari bamaho. Na canecane iyo hageze mu bihe nk’ibi vy’iterambere abagira ishari barabaho.

46. Ni ko, inzego z'umutekano ni zo zijejwe gucungera umutekano w'igihugu n'abenegihugu, ariko umuntu wese yomenya ko igihugu ari we nyene. Umutekano uraba umuntu wese, kuko igihungabanije abonse rimwe, kigira ingaruka ku bagize umuryango bose. Ni co gituma twama na ntaryo dusaba abenegihugu bose kwama barikanuye, kugira ntihagire inkozi y'ikibi iduca mu ryahumye ngo iduteshe kubandanya imigambi twiyemeje mu mahoro n'umutekano.

47. Ntihagire rero uwigira sindabibazwa. Na mwebwe bakenyezi, mu gucungera n'ukubungabunga umutekano murimwo! Igihugu ni rwanyu; ni ukukirwanira, mukagira urunani n'abandi bose mu kukirinda umwansi, ibiza n'isibe! Ba sokuru ni bo bayamaze bati: « ***Wanka kurwanira umweko wa nyoko itongo rya so bakaritwara urorera*** ». Ni mwebwe mwese Abarundi mubibwirwa, kandi ndabizeye kuko kuva kera na rindi, Umurundi yama arya akaravye.

48. Turashima cane ko abakenyezi na bo ubu bariko barerekana ubugabo bwabo! Umusi umwe nabajije nti: Mbega umusoda w'umukenyezi bamwita ingabo canke bamwita ingore? Twese twahujeko umukenyezi w'umusoda bamwita ingabo, ni wa mugabo bwenge nababwira; ni ingabo. None rero ko abakenyezi na bo bamaze kubona ko bahabera abagabo bagakingira igihugu, dusavye twese ko tugira urunani kugira ngo iki gihugu cacu kize came gitekanye imyaka yose, gushika ku muhero w'isi. Kandi ndazi neza ko tugize urunani nta ngorane n'imwe tuzogira.

49. Mu gusozera, ndashimiye bimwe bivuye ku mutima mwebwe mwese mwitavye bino birori. Ndakengurukiye abo bose bama bashigikira iki gikorwa canecane mwebwe mushigikira iterambere ry'igihugu muri

rusangi na canecane iterambere ry'umukenyezi. Ni mukomere kw'ibanga mu kwongereza uburyo bwo gushira mu ngiro imigambi imaze gutegurwa. Ndakengurukiye kandi bimwe vyimvamutima Buramatari w'intara ya Bubanza n'abamufasha ku kuntu bitanze batiziganya mw'itegurwa rya runo rubanza. Dushimira abanya Bubanza mwese mwatwakiriye mwatubereye umuhezagiro kuko aka kavura mwaronse no mu gihugu cose twari tugakeneye; none ndizerako aha ibaye intango imvura itazosubira inyuma igihugu cose kizoronka akavura hama turime twimbure. Abanya Bubanza rero mutubereye umugisha, umuco uvuye ngaha uca ushikira ihihugu cose, ndabasavye mwikomere amashi.

50. Ndangije rero nsubira gukeza Abarundikazi bose ku bwira bafise mw'iterambere nongera kandi nkeza n'abagabo bafashe nkama impanuro twama dutanga bakagira urunani n'abakenyezi babo bakama bari ku kivi. Kubera izo mvo zose ndabipfurije mwese umusi mukuru mwiza. Uyu musi mukuru muwusangire n'abanega banyu. Kugira ngo uyu musi mukuru ntube umusi mukuru wo gushira isoni, twarabibonye ko hariho abaca bata ibanga! Ube umusi mukuru koko wo kwirimbura ni mwaba muriko mwikura akuya ku vyo mwakoze mu bupfasoni.

**NI HARAMBE UMUKENYEZI WE NYINA W'URUGO AKABA N'INKINGI Y'ITERAMBERE,**

**NI HAHANGAME GUSHIGIKIRA UMUKENYEZI MU MIGAMBI IGANA KU MBONAKAZOZA,**

**IMANA IBAHEZAGIRE,**

**MURAKOZE**